AMASHURI YA KNOX COUNTY

Department ya Programa za Leta

Igitabo c'abavyeyi

2018-19

"Kuguma dukorana n'abavyeyi"

Urutonde rw'ibirimwo

Programa ya leta mu nca make _____ *3*

2018-19 Amashuri yo muri Programa za Leta _____ 4
Department ya Programa za Leta _____ 5
Komite y'ikigo c'ishuri _____ 5
Uburenganzira bw'abavyeyi kumenya abarimu n'abakozi bakwiriye_____ 6

Gukorana n'abavyeyi n'imiryango _____ *7*

Itegeko ry'uko Knox County ikorana n'abavyeyi_____7-9
Ingingo zo gukorana n'abavyeyi muri Tennessee _____ _____10
Ibintu cumi vy'ukuri mu gukorana n'abavyeyi_____11

Ibikeneye kumenwa muri Rusange _____ *12*

Ibirego n'uburyo bwo kubikora_____12
Kumenyesha abavyeyi ivy'amashuri adatekanye _____ 12

Impanuro ku Bavyeyi _____ *13*

Impanuro zo Gusoma_____ 13
Impanuro mu Biharuro_____ 14
Twokorana gute _____ 15
Inama z'umuvyeyi na mwarimu _____ 16
Uburyo bwiza bwo kwiga _____ 17
Umutekano w'Umwana wawe _____ 18
Uko umwana yoguma yibona neza _____ 19
Kalendari 2018-19 _____ 20

PROGRAMA ZA DEPARTEMENT YA LETA MU NCAMAKE

Programa za Departement ya Leta mu ncamake

Intego za Programa ya Departement ya Leta igamije kumenya ko abana bose baronka uburyo bungana kandi butomoye bwo kuronka inyigisho nziza iboneye ibageza n'amaburiburi, ku rugero rw'ubumenyi mfatiro State yemeje no ku bibabazo vya Leta babazwa. Ibi bishora gukogwa gutya:

(1) Kumenya neza ko ibibazo biri mu rwego rwiza rukwiriye, ko uburyo bakurikiza bwubahirizwa neza, ko abarimu bategugwa kandi bahugugwa neza, ko ivyigwa bitangwa neza, ko n'ibikoresho vy'imfashanyigisho biri mu rugero mfatiro rwa State, kugira ngo abanyeshuri, abarimu , abavyeyi n'abategetsi bashobore kuja baraba uko ishuri ritera imbere binyuranye no kurabira mu rusange uko umunyeshuri atsinda;

(2) Kubona igisubizo c'ikibazo c'abana bafise ingorane yo kwiga mu ma shuri yacu akenye cane mu Gihugu, ic'abana bakiri kwiga Icongereza, abana b'abanyamahanga, , abana bafise ubumuga, , abana babakavukire (Indian), abana batitabwako, abana b'ibigaba, hamwe n'abana bato bakeneye gufashwa mu gusoma;

(3)Gukuraho itandukaniro riri mu ntego yo kugerako hagati y'abana bakerebutsa n'abafata buke buke, cane cane itandukanirizo hagati y'abana batari abazungu hamwe n'abana b'abazungu, canke hagati y'abana badafise uburyo hamwe na bagenzi babo bakize;

(4)Amashuri y'abanyeshuri yose, ubutegetsi bukuru bw'uburezi bwose, n'ama States, bose bakora kugira batezi imbere ubumenyi bw'abanyeshuri bose, kandi bagerageze kumenya no gufashamk ayo mashuri yose akiri inyuma mugutsindisha abanyeshuri, bakongera bagafasha abo banyeshuri bose bari murayo mashuri kuronka inyigisho nziza ku buryo bukwiriye;

(5) Gutanda ibikoressho no kumenya neza aho biva ku buryo hagomba kuba itandukanirizo mukubitanga mu butegetsi bw'uburezi no mu mashuri bamenya aho gufasha bikenewe cane;

(6) Guteza imbere no gushimangira kugira umwete, kwigisha, no kwiga bakoresheje uburyo bwo kubaza bwa State bwagenewe kugira bamenya ko abanyeshuri bagera ku rwego rwa State mugutsinda no kuvyo yateganije ko bagomba kumenya kandi ko bongera abatsinda muri rusange, cane cane ku bana badafise uburyo;

(7) Gutanga abategetsi bafata ivyemezo bizima kandi n'ubwisanzure ku mashuri n'abarimu kuburyo nabo ku ruhande rwabo bituma bagira umwete wo gutsindisha abanyeshuri;

(8) Gukoresha programa yo kwigisha iteye imbere kandi imeze neza, harimwo no gukoresha ayandi ma programa y'ishuri canke abandi bantu bafasha, ivyo bikongera igihe co kwiga n'inyigisho nziza;

(9) Kuzana iterambere mw'ishuri no kumenya neza ko abana bashobora kuronka uburyo bunogeye bwiza bukwiriye bwo kwiga, bakabona kandi n'inyigisho zikarisha ubwenge;

(10) Kongera ku buryo bugaragara ubuhinga bwo kwigisha mu guha abakozi uburyo bwo gukomeza kongera ubumenyi no kwihugura mu kazi bakora;

(11) Gukora ku buryo ibikogwa vyose mu pande zose z'iki gice zikorera hamwe, zikorana n' izindi nzego z'uburezi, kandi nkuko bishoboka, gukorana n'andi ma agensi y'uruvyiruko, abana , n' imiryango; kandi

(12) N'uguha abavyeyi uburyo bushoboka kandi bwumvikana bwo gufasha mu kwigisha abana babo.

***Aho vyavuye*: http://www2.ed.gov/policy/elsec/leg/esea02/pg1.html**

PROGRAMA ZA LETA MU MASHURI YA KNOX COUNTY – 2018-19

AMASHURI YA KCS	PRINCIPAL	PHONE	ADDRESS
Adrian Burnett Elementary	Michelle Wolfenbarger	689-1474	4521 Brown Gap Rd
Austin-East High	Nathan Langlois	594-3792	2800 Martin L King Ave
Beaumont Magnet Elementary	Windy Clayton	594-1272	1211 Beaumont Ave
Belle Morris Elementary	Terry Lynn Hursey	594-1277	2308 Washington Pike
Carter Middle	Thomas Watson	933-3426	204 N Carter School Rd, Strawberry Plains
Christenberry Elementary	Melissa Johnson	594-8500	927 Oglewood Ave
Dogwood Elementary	Lana Shelton Lowe	579-5677	705 Tipton Ave
East Knox County Elementary	Kristi Woods	933-3493	9315 Rutledge Pike
Emerald Academy	Renee Kelly	249-7223	220 Carrick St.
Fair Garden Pre-K	Tiffany Watkins	594-1320	400 Fern St
Fountain City Elementary	Ina Langston	689-1445	2910 Montbelle Dr
Fulton High	Rob Speas	594-1240	2509 N Broadway
Green Magnet Elementary	Jessica Holman	594-1324	801 Townview Dr
Inskip Elementary	Lynn Jacomen	689-1450	4701 High School Rd
Lonsdale Elementary	Christopher Deal	594-1330	1317 Louisiana Rd
Maynard Elementary	Dexter Murphy	594-1333	737 College St
Mooreland Heights Elementary	Brandi Self	579-2105	5315 Magazine Rd
Northwest Middle	Bill Baldwin	594-1345	5301 Pleasant Ridge Rd
Norwood Elementary	Robyn Ellis	689-1460	1909 Merchant Dr
Dr. Paul L Kelley Volunteer Academy	Janice Cook	525-0069	3001 Knoxville Center Dr. Suite 2297
Pond Gap Elementary	Shelly McGill	909-9040	1400 Hollywood Dr
Richard Yoakley	Seth Smith	594-3790	4415 Washington Pike
Ridgedale Alternative	Diana Gossett	909-9099	4600 Ridgedale Road
Sam E. Hill Pre-K	Wendy Laman	594-3632	1725 Delaware Ave
Sarah Moore Greene Magnet Elementary	Dr. Amy Brace	594-1328	3001 Brooks Rd
South-Doyle Middle	Andrew Brown	579-2133	3900 Decatur Rd
South-Doyle High	Tim Berry	577-4475	2020 Tipton Station Road
South Knoxville Elementary	Dr. Tanna Nicely	579-2100	801 Sevier Ave
Spring Hill Elementary	Beth Lackey	594-1365	4711 Mildred Dr
Vine Magnet Middle	Desiree Jones	594-4461	1807 Martin L King Jr
West Haven Elementary	Paula Brown	594-4467	3620 Sisk Rd
West View Elementary	Beth Blevins	594-4471	1714 Mingle Ave
Whittle Springs Middle	Joann Bost	594-4474	2700 White Oak Ln
AMASHURI YIKORERA			
Annoor Academy	Amany Shourbaji	525-3399	724 Foxvue Road
First Lutheran	Jessie Irwin	524-0308	1207 North Broadway
Sacred Heart Cathedral School	Dan Breen	588-0415	711 Northshore Drive
St Joseph School	Andy Zengel	689-3424	1810 Howard Rd
Stanford Eisenberg Jewish Day School	Jennifer Dancu	560-9922	1529 Downtown West Blvd.

Department ya Programa za Leta

Cheryl Martin	Director
Cherry Smith	Supervisor
Judy Pickering	Supervisor
Ruth Ann Kirk	Supervisor
Leah Ashley	Accountant
Jessica Patterson	Specialist
TBA	Technician

KOMITE Y'IKIGO C'ISHURI canke SCHOOL WIDE SCHOOL COMMITTEE (SWSC)

Amashuri yose ya KCS aronka infashanyo ya Leta muri rusange yose afise programa imwe. Izi programa zizokoresha infashanyo za leta, za state, nizo mu karere mu guteza imbere amashuri muvy'ubwenge nkuko vyavuzwe mu nteguro yo gutera imbere kw'amashuri. Kubera ko program ari imwe mu mashuri yose, ntibikenewe gucagura abanyeshuri bashobora kuyijamwo. Amashuri azokoresha uburyo basanganywe mu kumenya ingorane z'ivyigwa abanyeshuri bagira, no gukurikirana ukuntu abanyeshuri batera baja imbere.

Bimwe mu vyo umukuru w'ishuri (Principal) ashinzwe

- Kuja mu nama zose z'ama programa ya Leta.
- Guhitamwo abagize komiti y'amashuri baserukira abantu bose .
- Kuyobora ateza imbere kandi ashira mu bikogwa ingingo zose z'ishuri, kandi agashira hamwe ibintu vyose bikenewe kw'ishuri, akaraba nuko ama programa yashinzwe akwirikizwa neza, agatoranya kandi agaha akazi abakozi muri izo programa c'ishuri.
- Gukoresha Programa za Leta bisaba gusubiramwo impapuro zo gusaba zanditswe no kugira ivyemezo bijana nazo no kwemeregwa ibikoresho, ibikenewe vyose mw'ishuri n'ihugugwa ry'abakozi.
- Gukora canke gufasha gukora urutonde rw'inama za komite z'ikigo c'ishuri.
- Kuyobora abavyeyi n'imiryango mu mirimo yose bakorana ku kigo.
- Gusubiza ku buryo bwiza impapuro n'ibindi bintu vyose bituruka mu bureau vya Departement ya prorama za Leta.
- Kumenya neza ko impapuro zose zisabwa na Dept ya programa za Leta ziri mu rutonde rwiza kandi rubereye neza kubazoza kusuzuma uko imirimo ikogwa.

Bimwe mu vyo abagize Komiti y'ishuri (SWSC) bashinzwe:

- Kuja mu nama zose zateguwe za komite y'ishuri, no gushira umukono ku mpapuro zibigenewe.
- Gutanga inama hamwe n'ibikenewe gukogwa muri komite
- Gukorero abo baserukira icegeranyo c' ivyavuzwe hamwe n'ivyemezo vyafashwe mu nama za komite.
- Gufasha kwandika ivyo bateganya gukora mu mashuri.

Uburenganzira bw'abavyeyi bwo kumenya abarimu n'abakozi

Iri tegeko rya NCLB bivuga :The No Child Left Behind Act (NCLB) of 2001, Pub. L. No. 107-110, rifise ibintu bishigikiye uburenganzira bw'abavyeyi bikenewe kumenywa. N' ibintu bibiri bigomba guca bishigwa mu ngiro ako kanya muri aka karere (District) k'amashuri.

Itangazo rya buri mwaka ku bavyeyi

Itegeko rya NCLB ritegeka ibigo vyose vy'amashuri mu karere kumenyesha umwaka ugitangura abavyeyi bose bafise abana biga mu mashuri akwirikiza programa za Departement ya Leta , uburenganzira bwabo bwo kubaza ku bijanye n'impamyabumenyi z'abarimu bigisha n'abandi bakozi bose bakorana n'abana . " Iri tangazo rigomba gutangwa mu buryo bumwe kandi bwumvikana, kandi ikindi, rigomba gutangwa mu rurimi abavyeyi bashobora kumva." NCLB Act of 2001, Pub. L. No. 107-110 § 1111 (h) (6)(C). Abategetsi b'akarere basabwa kwita kuri iki kibazo ku gihe. Dukwirikiije iri tegeko § 1111 (h)(6)(A) of NCLB, muvyo ubuyobozi bw'akarere butegerezwa gushikiriza abavyeyi, harimwo nibura ibi bikurikira:
fie

(i) Nimba umwarimu yarujuje ivyo State imusaba vy'impamyabumenyi n' ubushobozi butangwa na State vyo kwigisha ishuri ashinzwe n'ivyigwa vyaryo.
(ii) Nimba umwigisha ari kwigisha ku buryo bwihutigwa kandi bw'agateganyo , akaba State yaramusoneye kuri vyose kubera izo mpamvu zihutigwa.
(iii) Kumenya impamyabumenyi afise yaba iyi myaka ine, itandatu ya kaminuza , nivyo yaminujemwo mur'izo mpamyabumenyi nizo mpamyabushobozi
(iv) Nimba umwana ari kwigishwa nabo bandi bakozi badafise impamyabumenyi zavyo, nimba ar'uko bimeze, nukumenya ivyo bafisemwo impamyabushobozi.

Itangazo baha abavyeyi iyo umwarimu atujuje ivyangombwa vyo kwigisha

Amashuri akwirikiza programa za Leta ashinzwe guha abavyeyi itangazo ku gihe rivuga ko umwana wabo yigishwa, canke amaze indwi 4 canke zirenga zikwirikirana yigishwa n'umwarimu atujuje ivyangombwa vyose. Itegeko rya " No Child Left Behind Act of 2001, Pub. L. No. 107-110 § 1111(h)(6)(B)." Dukurikije iyi ngingo ya § 1111 (h) (6)(C) y'itegeko NCLB, iryo tangazo rigomba gutangwa mu buryo bumwe bwumvikana, kandi vyongeko, rigatangwa mu rurimi abavyeyi bashobora kumva.

Mukeneye ibindi bijanye n'impamyabumeny n'ubushobozi bw'umwarimu kanaka, ubuyobozai bwo mu karere bushobora kukurungika kuri Departement y'amashuri ya Tennessee canke kur'iyi WeSite "Teacher Licensing Web Site": *https://apps.tn.gov/eli-app/search.h*

Amashuri ya Knox County uko akorana n'abavyeyi n'imiryango
Itegeko Code: I-270. Vyakozwe 7/1995 kandi vyasubiwemwo 08/2017

IVYO AMASHURI YOSE AGOMBA GUKORA

Ubuyozi bukuru bw'amashuri ya Knox County burasobanukiwe akamaro n'inkomezi bifise mu gukorana n'abavyeyi n'imiryango kw'ishuri no mu nzego zose , hamwe no gushishikara gutera imbere muruko gufatanya. Sisiteme y'amashuri ya Knox Couny(KCS) ishingiye ku mategeko agenwa n'ingingo yo gufatanya n'umuvyeyi n'umuryango nkuko bivugwa mw'itegeko rya Every Student Succeed Act(ESSA)(bisobanura k'umunyeshuri wese yigira kumenya). Muri iryo tegeko, sisteme y'ishuri isabwa gushiraho ingingo yo gukorana n'umuvyeyi n'umuryango, kandi iyo ngingo igomba kujamwo mu migambi ikogwa mu rwego rw'akarere, bagashiramwo nivyo KCS igamije, nivyo izogerako muri uko gukorana kwiza n'umuvyeyi n'imiryango. Intego n'ugusobanura uko KCS:

A. Izokorana n'abavyeyi n'abagize imiryango bagafatanya gukora imigambi y'akarere, no gushiraho imigambi yo gufasha no gutera imbere;
B. Izoyobora vyose, igatanga ubufasha bwa tekiniki, n'ubundi bufasha bukenewe n'amashuri ya KCS mu gutegura no gutanguza imirimo bakorana n'umuvyeyi n'umuryango yo guteza imbere uburyo bwo kwiga bw'umunyeshuri no gutsinda amashuri, ivyo bishobora gusaba kugirana ikiganiro ciza n'abakoresha, abayobora ama business, amashirahamwe afasha abantu, n'abantu babizobereyemwo mu vyo gukorana n' amashuri bakorana n'abavyeyi n'abagize imiryango;
C. Kuyobora no gushira hamwe izo ngingo, n'uburyo bwo gukorana n'umuvyeyi n'imiryango, hamwe n'ayandi mategeko na za programa za Leta, na State ni z'akarere;
D. Kugira igihe ku mwaka co kurabira hamwe n'abavyeyi n'abagize imiryango, ukugene inyigisho mu mashuri yateye ija imbere, kubera akamaro ko gukorana neza n'umuvyeyi n'umuryango kandi bakarabira hamwe ivyokogwa:

    - Ikibuza abavyeyi benshi kuza gukorana n'ishuri, uhereye cane cane ku bavyeyi bafise uburyo buke, abafise ubumuga, abataramenya icongereza neza, abatazi gusoma no kwandika, canke abandi bose batari abazungu ba kavukire;
    - Ibintu abavyeyi n'imiryango boba bakeneye bijanye no gufasha abana babo mu kwiga, harimwo nko gukorana n'abakozi b'ishuri n'abarimu; hamwe
    - N'uburyo butomoye bushigikira gukorana kubereye hagati y'ishuri n'umuryango;

E. Gukoresha ivyavuye muri uko kwihweza bari hamwe,hagakogwa ingingo zigaragara ngendegwako muri uko gukorana n'abavyeyi, bibaye ngombwa ingingo zigenga uko gukorana n'umuvyeyi n'umuryango zivugwa muri iki gice zigasubigwamwo;
F. Gushiramwo abavyeyi mu bikogwa vyose kwi shuri, bivuga ko hashobora gushigwaho inama nyobozi igizwe n'abaserukira abavyeyi n'imiryango bahagije kugira ngo bige ibibazo vy'abanyagihugu mu rwego rwo guteza imbere, kuvugurura, no gusubiramwo itegeko rigenga ugukorana k'umuvyeyi n'umuryango; hamwe
G. Hamwe no gushiramwo ivyavuzwe muri Department y'amashuri ya Tennessee muri 2013-2014 bijanye n'ingingo zo gufatanya n'abavyeyi (results of 2009 TN Senate Bill No 293):

    - **Ingingo ya mbere: Kwakira neza imiryango yose mu mashuri.** Imiryango niyo ikorana umwete mu buzima bw'ishuri, bagomba kumva ko bakiriwe neza, ko bahawe agaciro, ko bari kumwe n'abakozi b'ishuri,ko bakwirikira nivyo abanyeshuri bari kwiga nivyo bakora mw'ishuri.
    - **Ingingo ya kabiri**: **Kuvugana.** Imiryango n'abakozi b'ishuri bavugana mu buryo bwiza bubereye kuvyerekeye inyigisho z'abanyeshuri.
    - **Ingingo ya gatatu: Gushira imbere gutsinda kw'abanyeshuri.** Imiryango n'abakozi b'ishuri bakorana igihe cose mu gushigikira abanyeshuri mu kwiga neza no gukurana amagara haba muhira haba kw'ishuri, kandi bakabona igihe cose uburyo bwiza bwo gukomeza batera imbere mu bwenge no mu bumenyi.
    - **Ingingo ya kane: Guhagararira (kuvuganira) umwana wese.** Imiryango iramenyeshwa kandi igahabwa n'uburyo bwo kuvuganira abana babo hamwe n'abandi bana bose, gutyo abanyeshuri bose bafatwa kimwe kandi bakaba bafise uburyo bumwe bwo kwiga no gufashwa gutsinda amashuri.
    - **Ingingo ya gatanu: Gusangira Ubutegetsi .** Imiryango n'abakozi b'ishuri bose bakorana bashize hamwe kandi bafata evyemezo kimwe mu birabana n'abanyeshuri n'imiryango, canke kubwirana , gukorana, gushiraho ingingo nsha z'ibikogwa n' ama programa.
    - **Ingingo ya gatandatu: Gukorana na Kominote.** Imiryango n'abakozi b'ishuri bakorera hamwe n'abagize kominote mugufasha abanyeshuri, imiryango, n'abakozi, baronderera hamwe icoteza imbere uburyo bwo kwigisha, no mu bikogwa vya kominote no mu bikogwa vy' akarere ni vy'abanyagihugu.

KCS n'amashuri yayo, igomba gukora uko ishoboye igatanga uburyo bwo gukorana n'abavyeyi n'abagize imiryango (batibagiwe abavyeyi n'imiryango bataramenya icongereza neza , abavyeyi n'imiryango bafise ubumuga n'abavyeyi n'imiryango bava hanze bafise abana mu ma shuri), harimwo no kubabwira ibiba n'ibikogwa kw'ishuri mu buryo bwiza kandi no mu rurimi abavyeyi babasha kumva.

AMASHURI YA TITLE I

Abavyeyi n'abantu bo mu miryango y' abana bafashwa na Title I bagomba kuzoba mubafata icemezo kirabana n'ukuntu amahera yagenewe ugukorana n'umuvyeyi n'umuryango yagabanijwe mu mirimo abavyeyi barimo. Ayo mahera agomba gukoreshwa mu mirimo n' ibindi bijanye n'itegeko rya KCS ryo gukorana n'umuvyeyi n'umuryango, harimwo nibura bimwe muri ibi bikurikira:

A. Gushigikira amashuri n'imishinga idakurikirana inyungu ifasha mw'ihugura ry'akazi ku bakozi bo muri district, mubijanye no gukorana n'abavyeyi n'imiryango, ivyo bishobora gutangigwa hamwe ku barimu, aba principals, n'abandi bateegetsi b'amashuri, n'abandi bantu bose bafise ubumenyi butandukanye bafasha amashuri, n' abasimbura canke abafasha abarimu, abigisha mu binyoni, abavyeyi n' abandi bo mu miryuango.
B. Gushikira ama programa ashobora gusanga abavyeyi n'imiryango muhira, muri kominote, no kw'ishuri.
C. Gukwiza inkuru ku buryo bwiza bwo gukorana n'abavyeyi n'imiryango, cane cane uburyo bwiza bwo gukorana na benshi mu bavyeyi no mu miryango bafise uburyo bukeya.
D. Gufatanya kurondera canke gutanga imishinga ku mashuri kugira bashobore gufatanya n'abagize kominote canke amashirahamwe canke abakozi basanzwe bazwi ko bakora neza mu guteza imbere uburyo amashuri akorana n'abavyeyi n'imiryango.
E. Gukora umurimo uwo ariwo wose canke gukoresha uburyo KCS isanzwe izi ko bimeze neza kandi bijanye n'ingingo yayo yo gukorana n'abavyeyi n'imiryango.

Ishuri ryose rya Title I rizofatanya n'abavyeyi n'imiryango y' abana bakorana,gushirah , no gutanga itegeko ryanditse ryo gukorana n'abavyeyi n'imiryango,kandi ryemewe nabo bavyeyi, rikanasobanura uburyo bwo gushitsa ivyavuzwe mu gice ca ruguru kuri C-G. Abavyeyi bagomba kubwigwa ivy'iryo tegeko mu buryo bwumvikana , kandi, uko bishobotse, munrurimi bumva. Itegeko nkiryo rigomba kuba aho kominote ishobora kuribona kandi rikavugurugwa igihe cose hari igihindutse bikurikijwe ivyo abavyeyi canke ishuri bakeneye.

A. Gukora inama ku mwaka, ku gihe kibereye, abavyeyi bose bafise abana bahiga bagatumigwa, kandi bagashishikarizwa kuza, kubasobanurira ico gukorana nabo bimaze, kubabwira ibitegetswe mur'iyi ngingo, n'uburenganzira bwabo muri uko gukorana;
B. Kubaha iminsi y'inama ku masaha atandukanye mu gitondo na ni mugoroba, amahera abonetse bakazanwa, abana bakaregwa, canke kuja muhira, vyose bigomba kuba bigamije ingingo yuko umuvyeyi agomba gukorana n'ishuri.
C. Gushira abavyeyi mu bintu vyateguwe, ku masaha aboneye, nko gutegura ibizokogwa, kwihweza ibimaze gukogwa, no gukora programa zo guteza imbere Title I, harimwo nk'ibijanye n'itegeko ryo gukorana n'abavyeyi n'imiryango na programa yo guteza imbere ishuri;
D. Guha abavyeyi bafise abana bahiga ibi bikurikira:
    - Kubamenyesha ku gihe ibijanye na za programa,
    - Kubabwira no kubasobanurira ibijanye n'ibiri mu vyigwa vyose bigisha kw'ishuri, uburyo babaza kugira ngo bamenye uko umunyeshuri atera imbere,n'urwego bagezeko bakurikije ibibazo vya State bitangwa hose, na
    - Nimba abavyeyi babisavye, gukora inama kenshi kugirango batange ivyiyumviro kandi bakomeze gukorana nkuko bikwiye mu bijanye n' inyigisho z'abana babo, kandi bakaronka vuba uko bishobotse, ibisubizo ku vyiyumviro vyatanzwe.

E. Gukorera hamwe n'abavyeyi ikusanyo,(school-parent compact) hakubiyemwo uko abavyeyi, abakozi bose b'ishuri, n'abanyeshuri bazofatanya muguteza ishuri imbere mubijanye no gutsinda, n'uburyo ishuri n'abavyeyi bazoshira hamwe mu gufasha abana gutsinda ikibazo ca Leta ya Tennessee bita Tennessee high standards. Iryo kusanya :

    - Rizosobanura ico ishuri rishinzwe kugira ritange inyigisho nziza mu mashuri ku buryo bufasha abana gusobanukigwa kugira bazotsinde ikibazo ca Leta bita State academic standards, n'uburyo umu vyeyi wese azofasha mugushigikira abana kwiga, kuza gufasha mw'ishuri umwana wabo yigamwo,no gufasha nkuko bikwiye mugufata ivyemezo bijanye n'imyigire y'umwana wabo, no gukoresha neza umwanya umwana afise nyuma y'amashuri,
    - Gushigikira akamaro ko kuvugana hagati y'abarimu n'abavyeyi igihe cose, inama hagati ya mwarimu n'umuvyeyi igahoraho, igihe batanze amanita yerekana uko umwana akora (progress reports), gushobora

kubonana n’abakozi, gushobora kwitanga ugafasha mw’ishuri ry’umwana wawe, ugashobora no kuraba ivyo bakora mw’ishuri, gushobora guhora muvugana hagati y’ishuri n’abavyeyi mu mpande zompi, kandi bishobotse mukavugana mukoresheje ururimi abo mu muryango bumva.

Ingingo zo gukorana n'abavyeyi muri Tennessee
Mu nama y'abashinga amategeko yo muri 2009 bise Senate Bill No.293 yasavye ko Departement y'amashuri ya Tennessee yotangura gukorana n'abavyeyi mu mashuri ya Leta. District yose n'ikigo c'ishuri cose kigasabwa gutanga raporo ko babikwirikiza. Raporo yuko batanguye kubikwirikiza muri Tennessee izotangurana n'umwaka w'ishuri wa 2010-2011 . Mu mpeshi yo muri 2011 (Spring), hari ibibazo bizova muri Department ya State bija kw'ishuri ryose ryo mu karere kubabaza uko bari gukwirikiza iryo tegeko,

Ibi bikurikira biri muvyo Tennessee ikora kandi babikoze bifatiye ku nama z'ishirahamwe rihuriramwo abavyeyi, abarimu n'imiryango bita PTA's national Standards for Family-School Partnerships. Izi ngino zemejwe n'inama y'ubuyobozi bukuru bw'amashuri kwi tariki 30 z'ukwezi kw'indwi muri 2010.

Ingingo ya mbere: Kwakira neza imiryango mu mashuri
- Imiryango nibo bakorana umwete mu buzima bw'ishuri, bagomba kumva ko bakiriwe neza, ko bari kumwe n'abakozi b'ishuri, no mu vyo abanyeshuri bari kwiga nivyo bakora mwi shuri ryabo no mu kigo.

Ingingo ya 2: Kuvuga neza mu bwunvikane
- Imiryango n'abakozi b'ishuri bavugana mu buryo bwiza bubereye kuvyerekeye imyigire y'abanyeshuri.

Ingingo ya 3: Gushira imbere gutsinda kw'abanyeshuri
- Imiryango n'abakozi b'ishuri bakorana igihe cose mu gushigikira abanyeshuri mu kwiga neza no gukurana amagara meza haba muhira haba kwi shuri, kandi bakabona igihe cose uburyo bwiza bwo gukomeza batera imbere mu bwenge no mu bumenyi.

Inging ya 4: Guhagararira umwana wese
- Imiryango irabwigwa kandi igahabwa n'uburyo bwo kuvuganira abana babo hamwe n'abandi bana bose , gutyo abanyeshuri bose bafatwa kimwe kandi bakaba bafise uburyo bumwe bwo kwiga no gufashwa gutsinda amashuri.

Ingingo ya 5: Gusangira ubutegetsi
- Imiryango n'abakozi b'ishuri bose bakorana bashize hamwe kandi bangana mu gufata evyemezo birabana n'abanyeshuri n'imiryango, canke mukubwirana, gufashanya, gushiraho ingingo nsha, ibigomba gukogwa canke ama programa.

Ingingo ya 6: Gufashanya na kominote
- Imiryango n'abakozi b'ishuri bakorera hamwe n'abagize kominote mugufasha abanyeshuri, imiryango, n'abakozi bose baronderera hamwe icoteza imbere uburyo bwo kwigisha, no mu bikogwa vya kominote no gukorana n'abanyagihugu.

Bimwe mubishobora gukoreshwa mu gupima ko uko gukorana n'abavyeyi bigenda neza nibi:
- Impapuro z'amanota muri TN: http://tn.gov/education/topic/report-card
- Integuro za district n'amashuri na sisiteme y'ukuntu bafasha: http://tn.gov/education/topic/eplan
- Itegeko ry'ubufatanye n'abavyeyi n'integuro muri district no mu mashuri
- Igitabo kirimo ivy' ishirahamwe ry'abarimu n'abavyeyi :"PTA National Standards for Family-School Partnerships " kiri kuri http://www.pta.org/nationalstandards
- Ivyo bagiye babaza abavyeyi

Mugomba kumenya ibindi , raba aha:
- TDOE: http://www.tennessee.gov/education/topic/family-community-engagement
- TN Parent Information & Resource Center: *http://www.tnvoices.org/index.php?q=en/TPIRC*
- TN PTA: *http://www.tnpta.org/*
- Toolkit for Title I Parental Involvement: *http://www.sedl.org/connections/toolkit/*

Aho vyavuye: TN Department of Education/ Ishami rikuru ry'amashuri ya TN

IBINTU CUMI VY'UKURI MU GUKORANA N'ABAVYEYI

#1
Abavyeyi bose bafise icizere n'integuro nziza ku bana babo.
Batandukanye mu buryo bafasha abana babo kugera kurizo ntego.

#2
Muhira ni hamwe mu hantu henshi hatuma umwana amera uko ari.
Ishuri rigomba gukorana n'ahandi hose umwana aja hamufitiye akamaro, ntibagomba kubigizayo.

#3
Umuvyeyi niwe we fatiro ya vyose mu ndero y'umwana.
Schools can either co-opt that role or recognize the potential of the parent./Amashuri ashobora gufatanya nabo nkuko bamurera canke bagakomeza indero y'umuvyeyi.

#4
Ugufashanya n'abavyeyi bigomba kuba itegeko mu ndero y'umwana.
Bisaba kuresha mu gufata ivyemezo kuvyerekeye nka programa yo gutera imbere n'uburyo bwo kuraba uko vyose bigenda.

#5
Gukorana n'abavyeyi n'ibintu bihoraho, si programa y'akazi.
Bisaba kugira umwete n'ingufu bihoraho.

#6
Gukorana n'abavyeyi bisaba intego, itegeko, n' ukugene bizokogwa.
Gushira hamwe mu bwumvikane n' icingenzi.

#7
Ugufashanya kw'abavyeyi n'abana babo niryo fatiro ry'ugukorana n'abo.
Programa igomba kumenya agaciro k'umuntu, ko abantu batandukanye, n'ingorane y'uwo murimo.

#8
Ibintu bituma abavyeyi bataza neza biri mu mikorere y'ishuri.
Izo ngorane ntiziri mu bavyeyi.

#9
Umuvyeyi wese "ashobora kutoroha kuboneka."
Abavyeyi bagomba kurondegwa ku giti cabo mw'izina ryabo; ntibahamagwa amazina bakwirikije igitsina, ubwoko, uko umuryango ubayeho, uko yize canke uko ahembwa.

#10
Ugufashanya neza n'abavyeyi vyongera imibano mwiza no gukorana n'abandi neza.
Bikomeza umushikirano hagati yo muhira n'ishuri, y'abavyeyi n'abarimu, y'abavyeyi n'abana, y'ishuri na kominote.

IBIGOMBA KUMENYWA MURI RUSANGE

Ikirego n'inzira yo gucamwo ngo urenganugwe

(Vyasubiwemwo hakurikijwe iri tegeko ,Public Law 97-35 [Sections 116.182-185])

Ibirego no kurenganwa vyose bigomba guca mu nzira nyazo mbere yo kubizana muri komite ibisubiramwo muri Departement ya programa za Leta. Iyi komita ibisubiramwo yo muri Departement ya Programa za Leta igomba kuba igizwe n'umuyobozi mukuru w'akarere ariwe Superintendent canke uwumuhagarariye, Directeri wa Departement ya programa za Leta, umuvugizi wabagize umugwi w'abajanama mu karere (District), n'uwundi muntu wa gatatu atowe nabariya babiri ba mbere hakurikijwe ubwoko bw'ikirego canke bw'akarengane, akarorero, nimba ikirego canke akarengane ari ibijanye n'ivyigwa, uwo muntu wa gatatu azoba supervisor mu bijanye nuko kwigisha. Nimba ikirego canke akarengane bijanye no kuguma canke kutaguma muri programa kubera gutsindw, uwo muntu wa gatatu agomba kuba ari uwushinzwe kubisuzuma avuye muri Departement ya Programa za Leta, etc.

Inzego nyazo zishobora kuba izi: umwarimu, umutegetsi w'ishuri ariwe principal, umu supervisor wa Dept y'ama programa ya Leta. Niba ikirego canke akarengane bitabonye igisubizo kinogeye, urubanaza rushobora kungururizwa muri Komite irusubiramwo yo muri Dept ya programa za Leta hakwirikijwe aya mategeko:

a. Ikirego cose canke akarengane bigomba gukogwa mu nyandiko hanyuma bikaja muri komite ibisuzuma yo muri Departement ya Programa za Leta. Ico kirego kigomba kwandikigwa Diregiteri wa Programa za Leta canke Superintendent w'amashuri.

b. Ikirego canditse canke akarengane bigomba kuba bifise numero ya conte bakoresheje mu nzego zose baciyemwo barondera kurenganugwa.

c. Abantu bafise ikirego bazorondegwa na Diregiteri kugira ngo bitabe komite ibisubiramwo yo muri Dept ya Programa za Leta, ikazobaha umunsi wo kubonana mu minsi 15 ikwirikira umunsi baronkeyeko ikirego

d. Buri mugwi wose ugomba gutanga umuntu umwe abavuganira.

e. Komite ya Dept ya Programa za Leta ishinzwe kubisubiramwo izofata icemezo kuri ico kirego canke akarengane mu minsi 15 ikwirikira umunsi bashikirizwe ikirego.

f. Nimba uwurega atemeye icemezo cafashwe, ashobora kunguruza ikirego ciwe ku buyobozi bukuru bw'amashuri ya Knox County akwirikije inzira berekana mu gitabo c'amashuri ya Knox county, ku rupapuro BCBI.

g. Nimba ikirega kitabonewe igisubizo mu minsi 30, ikibazo kigomba guca kijanwa mu rwego rwa Departement ya State.

h. Icemezo ca mbere cafashwe n'ubuyobozi bukuru bw'amashuri ya Knox county, gishobora gujurigwa nyuma yo kubona urupapuro rw'icemezo cafashwe.

i. Uturere twose tw'amashuri n'umugwi w'inama y'abavyeyi ku mashuri hanwe n'abandi babikeneye , bose bagomba kumenya inzego zose z'ibirego n'akarengane mu mashuri.

KUMENYESHA ABAVYEYI IVY' AMASHURI ADATEKANYE

Dukurikije itegeko rijanye n'amashuri adatekanye ryo mu buyobozi bukuru bw'amashuri ya Tennessee, umunyeshuri wo mw'ishuri rya Leta yarenganijwe nkuko bisobanuye mw'itegekorya Tennessee , code annotated 40-38-11(g), canke uwagerageje kurenga rimwe mu mategeko ya Tennessee nkuko asobanuye kuri code annotated 39-12-101, ashobora guhabwa uburyo bwo kuja mu mwaka agezemwo murindi shuri rwo mu karere.

Ibindi bisobanuro bijanye n'ibi bishobora kuboneka muhamagaye amashuri ya Knox County mu biro bihindura amashure (transfer office) kuri (865)594 1506
https://www.tn.gov/education/article/unsafe-schools-choice-policy

INAMA KU BAVYEYI

INAMA ZO GUSOMA N'IBIJANYE NAVYO

Muhira niho hantu heza umwana ashobora gufashirizwa kwiga gusoma neza. Ingeso nziza yo kumenyera gusoma neza irandura, hari ukuntu umwana avana ako kamenyero muhira. Icingenzi nuko abavyeyi bashobora kurondera uburyo bwotuma abana bakunda gusoma bagatera baja imbere.

Inama zikwirikira zizofasha umwana wawe kuba yiteguye kuzomenya gusoma neza:

- **Vugisha umwana wawe.** Iki n'ikintu gikomeye cane kuko uko umwana yumva amagambo menshi, niko azomenya gukoresha amagambo menshi mu kiganiro gisanze. Iciza muri ivyo, nuko amagambo azoca ayasobanukigwa igiye ayabonye yanditse ku rupapuro.

- **Tega amatwi umwana wawe**. Ikintu gikomeye cane ku bana ni gushobora kwisigura bo nyene ubwabo. Uko umwana avuga cane, niko azogenda yunguka uburyo butandukanye bwo kuvuga ururimi.

- **Somera umwana wawe.** Igihe cose uzosomera umwana wawe, uzoba uri kumwigisha gukunda ibitabo, hamwe no gukunda gusoma. Umwana wasomewe ibitabu, ntakabuza azokunda gusoma kandi anamenye kurondera ibitabo ku giti ciwe.

- **Gufasha umwana kunguka amagambo masha.** Amagambo masha umwana ashobora kugenda ayakura aho muba igihe ari kugenda asobanukigwa ibihari vyose. Iyo umwana abaza ibintu bimukikije , nivyo agenda abona aho muba, mumwishure neza k'uburyo mubona ko yabimenye kandi yabisobanukiwe. Mugomba kumenya neza ko ayo magambo masha umwana yasobanukiwe ico avuga. Mukayakoresha no mu mungane… kandi muje mwibuka kongera kuyamusubiriramwo.

- **Fasha umwana wanyu kumenya gutandukanya amajwi**... Aho amajwi atandukaniye naho ahuriye. Akarorero: Vuga amagambo atatu yose atangugwa n'indome imwe, ongerako irya kane ritandukanye nayo cane. Ubu nibwo buryo bwo kwigisha umwana wawe gutandukanya amajwi.

- **Fasha umwana wawe kumenya ivyo abona n'amaso** . Mwereke uko amabara atandukanye, ubunini bw'ibintu, uko bikase, amaforoma y'ibintu biri munzu no hanze mu babanyi, amenye naho biri. Imikino itandukanye izofasha umwana wawe kumenya gutandukanya ivyo abona n'amaso yiwe.

- **Uhe umwana wawe imirimo yo gukora kandi ituma aja n'ahandi hantu.** Uko agenda akora ibintu vyinshi bitandukanye niko bizofasha umwana wawe kera, gusobanukigwa ibintu vyanditse igihe azoba arimwo kwiga. Mwereke ibintu vyiza bibakikuje kandi abariko umwigisha amagambo masha nico asobanura.

- **Mugire akamenyero ko gusoma muhira**. Mugire ibitabo bitandukanye, ibinyamakuru, n'ibindi…vyo gusoma muhira. Ereka umwana wawe ko gusoma biryoshe kandi bifise akamaro gose.

Anthony D. Fredericks and David Taylor, Parent Programs in Reading: Guidelines for Success (Newark, Delaware: International Reading Association, Inc., 1985), pp. 62-63.

INAMA Z'IBIHARURO N'IBINDI BIJANYE NAVYO

Ibiharuro bikoreshwa muhira iminsi yose. Kumenyereza abana kubikoresha bifise akamaro gakomeye cane kuko bizobafasha kumenyera uko bikogwa kandi bagahera n'ubwoba igihe bazotangura kuvyiga mw'ishuri. Uko umwana abona ibiharuro bica bihinduka, kubera ukuntu aba amenyereye kubikora muhira. Iciza kirimwo, nuko abavyeyi bashobora gukundisha abana kubikora no kubimenya.

Izi nama zizofasha umwana wanyu mukwitegura kuzomenyera gukora ibiharuro neza:

- **Kumenyera gukoresha ibitabu vy'ibiharuro**. Musomere ibirimo, genda umwereka inyigisho zitandukanye zirimwo, umwigishe kuraba ibice birimwo no gukora ibibazo birimwo, amagambo masha, umwereke n' ibice bisubiramwo ivyo vyigwa mu ncamake.

- **Mumenyereze kuvyo ubona bijanye n'umwaka w'ishuri agezemwo**. Umwarimu wese afise ivyo agomba kubigisha bijanye n'umwaka bagezemwo. Baza mwarimu akubwire ivyo bagomba kumenya.

- **Umubwire akagene ibiharuro bikoreshwa mu mirimo y'iminsi yose, nko gukorera amahera, kuyabika no kuyakoresha.**

- **Teganya umunsi mwi yinga muganira ku ma homework y'ibiharuro, amagambo masha, ibibazo, n'utundi bagenda babaza mw'ishuri**,

- **Ukoreshe impapuro zikasemwo duto duto (cards) zo kwigirako guteranya, gukuramwo,kugwiza, no kugabanya** . Izo ushobora kuzigura ku mahera makeya canke nawe ukazikatira.

- **Temberana n'umwana wawe**. Hari ibintu vyinshi muri kominote bishobora kubafasha kuganira mukoresheje ibiharuro; nk'akarorero, ibintu uko bingana canke uko bikoze; kugereranya ubunini bw'ibintu bibiri canke vyinshi; gusoma ama address n'ama numero; kugereranya uburebure bwaho mumaze kugenda; guharura amamodoka ,amazu , n'ibindi n'ibindi.

- **Koresha ibinyamakuru**. Ukate mu gice kirimo udukuru dutwenza kandi dushushanije, ukwirikije imirongo. Umaze kudukata , uheze utuvangavange, hanyuma uhe umwana yongere adusubize ku murongo nkuko twari turi mbere. N'igice kirimwo ibintu batangaza naco ni ciza mukwigisha ingene ibiharuro bimeze.

- **Kujana gusuma**. Uhe umwana yongeer asubiremwo akoporore ivyo musuma wanditse ku gapapuro, agenda ashira ibisumwa mu migwi yavyo kugira mugeze mw'isoko biborohere kubibona.

- **Mushimire igihe cose akoze ikintu**. Uko yumva anezerewe iyo umushimiye ukanamwereka ko yakoze neza, bica bimuha umwete wo kugomba kuzohora akora neza.

NI GUTE DUSHOBORA GUKORANA ?

Gukorana biba mu buryo bwinshi. Ibi bikwirikira n'uturorero tutwereka ukugene abavyeyi bashobora gufasha mu burezi bw'umwana wabo mu mashuri ya Knox County.

Dutangure gukorana: Kuva kera abavyeyi bahoze bakorana n'uburezi bw'abana babo mu buryo bwinshi. Imirimo bakora cane niyo kwitanga igihe bakenewe n'abarimu mu mashuri yabo (nko kumanika ibintu) canke gufasha mu biro vy'abakozi(nko kwitaba telephone), canke kuza mu gihe amashuri afise ivyo yerekana, no gufasha igihe harivyo bakora kugira babone amahera, n'ibindi,etc. Imirimo nkiyo yarafashije cane amashuri n'abanyeshuri n'imiryango cane kandi izokomeza kuba imirimo y'ingenzi.

Korana natwe: Abavyeyi benshi barashaka kongera uburyo bakorana natwe bongera imirimo yagenewe guteza imbere ukwiga k'umunyeshuri. Umuvyeyi yitwa ko "dukorana" bisobanura ibi bikwirikira:

- **Kwigira muhira**:.Gukorana n'abandi uturimo twigisha abavyeyi uburyo bwiza bwo gufasha abana babo gukora homework, kwiga ukugene babikora, n'ukuntu biba akamenyero gukorera muhira.
- **Kurera**: Kubona uburyo bwo kwiga ubushakashatsi busha bakoze bujane n'imikurire y'abana hamwe n'ibisubizo ku ngorane zihari zo kurera.
- **Kuganira**: Kubona uburyo bwo kuvugana n'amashuri kugira ngo usobanukigwe ama programa n'amategeko y'ikigo, umenye nimba umwana ari gukora neza, atera aja imbere, kumenya gusubiza ku bibazo canke izindi ngorane z'abanyeshuri, kumenya uburyo bwiza bwo kuvugana n'abarimu, hamwe n'abandi bakozi b'ishuri.
- **Kumenya gufata icemezo**: Kumenya gutanga ivyiyumviro no kumenya kuvuga neza ivyo wiyumvira ku kigo c'ishuri, kuri district, kuri state, no kumenya gufata ivyemezo bifasha mu mwigishirize y'abanyeshuri, ivyo vyemeza ko uburezi mubufatanije.
- **Gufashanya na Kominote**: Kuba uzi kominote kandi ukamenya gukoresha uburyo tubona bushobora kongera ubumenyi n' ubwenge bw' imiryango n'abana muri iki gihe turimwo no muri kazoza ko kwigisha, no mu mirimo ikogwa, kandi tukaba twokuramo ibintu bishobora gufasha umuryango n'umwana.
- **Kuja gufasha**: Gushigikira umwete amashuri afise cane cane mu kongera ubwenge bw'umunyeshuri (kumviriza umunyeshuri iyo ari gusoma, gusomera abanyeshuri no kubabaza gusoma, gusobanukigwa ivyo basomye, kubaza utubazo kuvyo basomye, n'ibindi,etc.)

Umurimo wose mur'iyi usaba ko abavyeyi baba bafise ukuntu bafasha abana **neza mu buryo butomoye bigatuma batsinda neza mw'ishuri**

Kwirikira ibiba

- Bimwe muvyo mugomba kujamwo mubikogwa kw'ishuri: Inama y'umuvyeyi n'umwarimu, iminsi mikuru irimo imiryango, inama z'ubuyobozi bw'ikigo c'ishuri.
- Gusoma igitabo c'abavyeyi kivugamwo programa za Dept ya Leta.
- Kuza mw' ishuri kwiga ivyo kurera.

Itegereze

Uze kuraba ishuri umwana wawe yigamwo hanyuma wibonere ubwawe uko umwana akora mw'ishuri.

Ivyavuzwe n'abavyeyi

Amafranga ya Leta ahabwa programa zikogwa na Departement ya Leta. Ivyo abavyeyi bavuze n'inama batanze nivyo baraba mugukoresha ayo mahera mu buryo bwinshi butandukanye. Abavyeyi bafise uruhare runini kuko bagira umugwi ufata icemezo ku kugene amahera azokoreshwa.

MU MAGAMBO MAKEYA, UMUVYEYI DUKORANA, NIWE MUVUGIZI WA MBERE DUFISE AVUGANIRA UMWANA N'ISHURI.

Inama za mwarimu n'umuvyeyi

Inama ya mwarimu n'umuvyeyi n'uburyo bwiza abarimu n'abavyeyi b'umwana bahurira hamwe bakaganira ukugene umwana yobona inyigisho nziza bakwirikije ivyo wewe nyene ubona akeneye. Uku kuganira kwabo ntaho bihuriye n'impapuro z'amanota babona (report cards) kuko bavugana vyinshi, bifasha gusobanukigwa neza ukuntu umwana yotera aja imbere mu mashuri. Abavyeyi na mwarimu bagira ubufatanye bwiza bufasha umwana kugira umwete.

Abavyeyi bashobora gusaba inama iyo bakeneye kubwira mwarimu ikintu ciza ku mwana wabo, canke iyo bahagaritse umutima kubera umwana atarimwo kwiga neza, iyo ingeso ziwe kw'ishuri babona zitameze neza, canke hari ikibazo mu muryango babona gishobora gutuma umwana atiga neza.

Abarimu bashobora gusaba inama iyo amanota y'abana yasohotse (report cards), canke umwana yakoze neza kw'ishuri ku buryo budasanzwe, canke iyo babona ivyigwa biri kumugora gose, niyo ari kugira ikibazo co kwitwara nabi hamwe n'ingeso mbi kwi shuri.

Iyo witegura kubonana na mwarimu, wandika ku gapapuro ibintu vyose uza kumubaza. Ushobora kubaza amanota y'umwana, homework, ibibazo bakoze, uko umwana yitwara n'ingeso ziwe mw'ishuri. Umenyeshe umwana wawe ko uza kugenda kubonan na mwarimu. Iyo ubimubwiye, umubarire impamvu yiyo nama kandi nawe umubaze ivyo yumva ko mwovugana na mwarimu. Hanyuma umumenyeshe ko nuvayo muja kuvugana ivyo iyo nama yagezeko.

Mu nama mugirana na mwarimu, umubwire ico wumva iyo nama kubwawe igamije gushikako. Utangure inama mu buryo bwiza bwubaka. Umwarimu arabikeneye kandi arakwiriye gushimwa. Umubwire ibintu umwana wawe akunda, ibintu afisemwo ubuhanga, uburyo yiga, n'ikindi cose wumva ko akeneye kumenya (akarorero: ikibazo c'ibiro vyiwe, ubumuga yoba afise, amasoni, n'ibindi,etc.). Ufashe umwarimu kumenya neza umwana wawe. Baza umwarimu ivyigwa vyose umwana yiga mu mwaka agezemwo. Umubaze ukuntu batanga amanota n'ivyo baraba vyose mukumuha amanota mu cigwa cose. Utega amatwi neza kandi nimba ubishoboye uje urandika igihe mwarimu ari gusobanura ukuntu umwana wawe atera aja imbere mw'ishuri. Uvugane na mwarimu ukuntu muzokorana mugufasha umwana wawe kugira atsinde neza ivyo yiga. Icingenzi: Kurangiza inama ku buryo bwiza bwubaka bizotuma haba umubano mwiza hagati y'ishuri n'urugo rwawe.

Uvuye mu nama , ugire igihe co kuvugana nuwo mwubakanye hamwe n'umwana wawe kuco mwagezeko mu nama. Cane cane werekane ivyiza vyavuyemwo, ingingo nziza mwafashe, , ivyo mwaganiriye bifasha umwana mu gutera imbere hamwe nivyo mwemeranije ko umwana agomba kugerako. Mukorere mwarimu urutonde rwivyo mwifuza, kandi mukomeze kugira umutima wo gukorana nawe no kumenya ivyo umwana akora nuko yitwara kw'ishuri

Icitondegwa: Ufise uruhare runini gose mu ndero y'umwana wawe, rero uko kugumana ubufatanye na mwariw'umwana bizofasha cane umwana wawe gutsinda neza mw'ishuri.

Gutoza uburyo bwo kwiga neza

Intambwe ushobora gukoresha mu kwiga neza no kugira akamenyero keza ko kwiga:

- Rondera ahantu heza hacecetse.
  Ahantu heza ho kwigira, hategeranye nabo munzu, canke abagenzi na television, ivyo birafasha gose. Ico kibanza kigomba kuba ata kintu co kugusamaza kirimwo, hari n'umuco uhagije. Hakeneye itara ritari munsi ya watt-100 mu kwiga.

- Ibikoresho ukoresha mu kwiga ubigumize hamwe.
  Koresha igihe cawe neza. Ibikoresho ubishire hamwe. Ubishize hamwe nko mu mbegeti canke ikarito, uca ushobora kubiterura neza. Ivyo bikoresho hagomba kuba harimwo ibitabo ukoresha, nka dictionari; encylopedia na almanac, ivyo birafasha.

- Wirinde ibigusamaza vyose.

- Menyereza umwana wawe ko ahantu hacecetse haba ibisamaza bikeya, ivyo bivuga ko umuntu aca yiga neza. Kandi arimwo yiga, afata icigwa kimwe kimwe abanze acige neza. Umwereke ukuntu iyo television izimije akora imirimo y'ishuri neza, hanyuma muyizimye igihe cose ari kwiga.

  Ntibishoboka kuba uri kwiyumvira indirimbo hanyuma ngo wongere wiyumvire neza ivyo wiga. Abanyeshuri bavuga ngo" nsinshobora kwiga ata music", vyukuri bivuga gutya "Narafashe ingeso mbi yo kwiga numviriza music".Hindura ingeso mbi buke buke, ubanze ugabanya gahoro kugeza igihe uzozimya iyo music ukiga mu gacerere.

- Akamenyero keza ko kwiga.
  Umenyeshe umwana wawe ko igihe kibi co kwiga ari igihe ahaze amaze kurya neza canke igihe arangije gukora ingororamubiri zihagije. Fatanya n'umwana wawe kuraba igihe ciza co kwiga, mukore programa nki y'iminsi itanu mw'iyinga. Nimba adafise homework, asubiremwo ivyo bize, akomeze asome n'ibindi batarabona.

  Ukomeze iyo programa. Umwana wawe afate ingeso nziza yo kwigira ahantu hamwe kw'isaha imwe iminsi yose.

- Kumutera umwete wo kwikoresha.
  Kumenyere kwicara hamwe akora bizomuha kwiyumvamwo gushaka gukora. Nawe umutere umwete wo guca atangura gukora igihe ahageze. Azoca amenya kwibwiriza no kwikoresha.

- Kwicara neza ku ntebe.
  Ronderera umwana wawe intebe nziza ifise umusego, yo kwicarako igihe ari kwiga. Ivyo bizotuma yiga neza adasamaye. Umubuze kuryama hasi canke kuryama ku ntebe n'ibindi nkivyo igihe ariko yiga.

- Akeneye kuja aruhuka igihe ari kwiga?
  Igihe co kuruhuka uko kingana kizotegwa n'imyaka umwana wawe afise canke uko wewe ubona umwanya akoresha mu kwiga uko ungana mbere yuko ananigwa. Kandi abana bose baratandukanye, uzomugenera uko aruhuka ukwirikije uko ameze. Ubushakashatsi bwerekanye ko umwana yize neza iminota 50 hanyuma agafata akaruhuko k'iminota 10 bigenda neza gose.

- Mukaraba ko mucumba hameze neza (ubukanye n'ubushuhe)

- Iyo mucumba mwahakanishije mugashira kuri 70, ivyo bizomuha inkomezi. Mumenye ko iyo icumba gishuhije bishobora gutuma yumva ameze neza bigatuma asinzira.

Kurya neza bishobora gufasha umwana kwiga neza.

Mwebwe nk'abavyeyi mufise ibintu vyinshi mwokwibaza vyerekeranye n'abana banyu. Kimwe muri vyo nukwibaza ivyo mwobagaburira. Mugomba kumenya ko ivyo mugaburira abana banyu hagomba kubamwo ibikenewe vyose kandi mukamenya ko mutari kubaha ikintu na kimwe co bamerera nabi. Ikindi naco muribaza ibijane n'ukuntu umwana wanyu arimwo kwiga kugira ngo amenye ivyo bamwigisha mw'ishuri. Mbega waruzi ko hari isano rikomeye hagati y'ivyo umwana arya n'ukugene akora mw'ishuri? Abana batarya neza baragwaragurika, barasiba ishuri ivyo bigatuma harivyo batiga. Iyo bagarutse kw'ishuri birabagora gukwirikira no kumenya ivyo batabonye igihe basivye. Utagiye ubibutsa iminsi yose, baribagigwa vuba ivyo umuntu yabigishije.

N'iki abavyeyi bokora kugira ngo bagaburire abana babo neza?

- Abavyeyi bashobora gusoma bakamenya ibijanye n' imirire.
- Abavyeyi bagomba kumenya ko abana babo barya indya zuzuye, harimwo ivyubakamubiri, ivyamwa, n'imboga.
- Abavyeyi bashobora gusaba amashuri kongerako icigwa co kurya neza muvyo bigisha.
- Abavyeyi bashobora kuja inama n'abakuru b'amashuri bagakura ama bombo n'ibinyobwa bitari vyiza (with caffeine) mu ma machine y'indya no mu gikoni cabo. Bashobora gusaba ivyo ko bobisimbuza ivyamwa, imbuto, amata, n'imitobe y'ivyamwa.
- Abavyeyi bashobora gusaba amashuri igihe bagurisha ibintu bashakisha amahera, ko batogurisha ivyo bintu bisosa.
- Abavyeyi bagomba kumenya indya zimerera nabi abana babo, bakaja kuraba muganga akabandikira urupapuro rw'ivyo bagomba kurya.

Umutekano w'umwana wawe

Mu mwaka umwe gusa , abana barenga 150,000 vy'abana barabura muri Amerika. I kompani yitwa Park Davis Company yo muri New Jersey yahaye impanuro abavyeyi. Nimba wifuza kubona ikopi yiyo mpanuro, hari ubwoko butatu butandukanye ukwirikije imyaka y'abana: Impanuro ku bana bato cane, impanuro ku bana b'ishuri, impanuro kuba teenagers. Kopi uzibaza ibigo vy'abavyeyi mu karere kawe.

1. Ugomba guteza ibikumu umwana wawe, ukabika ako gapapuro ahantu hatekanye handi hagegwa, hamwe n'amafota yiwe uguma ufata nyuma y'amezi atandatu, n'inyandiko ivuga uko umwana wawe ameze ,uko aresha, uko asa , eka n'inkovu yoba afise n'ibindi.

2. Igisha abana bawe amazina yabo yose, numero za telephone, numero zaho muba (area code)

3. Kwereka umwana uko bahamagara bakeneye gufashwa (babwire bagume ku murongo, nimba bishoboka). Ubibakoreshe babimenye.

4. Umenye aho umwana wawe ari igihe cose.

5. Ntureke ngo umwana wawe aje gukoresha imisarani ya rusangi ari wenyene.

6. Ntusige umwana wawe mu modoka wenyene.

7. Ntiwandike amazina y'umwana wawe yose ku nkofero, ikoti, ikinga, n'ibindi,etc. Wibuke ko umwana umuhamagara mw'izina ryiwe rya mbere . Umuntu wese azi iryo zina ntiwoca umufata nk'umuntu atamuzi.

8. Wigishe abana bawe gutinya no kwirinda abantu batazi. Ivyo bisobanura abantu bose batazwi neza.

9. Ntukarekere umwana wawe mu ruhande bashiramwo ibikinisho vy'abana mw'iduka canke ngo ureke azerere mu maduka ya mall. Nimba bishitse bakazimira canke hakagira umuntu abatera ubwoba , babarire ko bagomba guca baja kuri bariya bakira amafranga bakahaguma.

10. Umenye incuti z'abana bawe.

11. Uje uja mu mikino y'umwana wawe

12. Umenyereze umwana wawe inzira acamwo agiye ku bagenzi canke kw'ishuri.

13. Ugomba kumenya ingo umwana wawe aja gukiniramwo canke kuramutsa.

14. Wigishe umwana wawe kumenya ingo zose ashobora kujamwo igihe wewe utari hafi canke bakubuze.

15. Wumvirize neza umwana igihe akubwiye ko yumva atagomba kuba kumwe na naka. Urondere impamvu yabiteye.

Ukuntu wigisha umwana wawe kumva ko yiyizeye

1. Umubaririre ikintu ciza kimwubaka umunsi ku wundi.
2. Ugerageze kuraba ko umwana wawe hari ikintu yokora akakirangiza neza iminsi yose, ariko bisaba ko umuha uturimo dutandukanye two gukora.
3. Igihe cose uhe umwana wawe agashimwe ku mwete yagize nubwo atoba yageze kuvyo wagomba.
4. Kora ku buryo umwana wawe yumva ko ari iwabo kandi akunzwe.
5. Tega amatwi neza umwana wawe kandi umurabe mu maso igihe ari kuvuga,
6. Usubize neza ibibazo umwana wawe akubajije mu kuri kandi ako kanya, nimba bishoboka.
7. Ntukoze isoni umwana wawe, cane cane imbere y'abandi, kandi ntutume yibaza ico amaze.
8. Hayagiza umwana wawe uko ushoboye ku vyiyumviro vyiwe vyiza, canke yakoze neza ivyo ari gukora, n'ibindi,etc.
9. Ushishikare kubwira umwana wawe gukunda izina ryiwe, ivyiyumviro vyiwe, n'ibikogwa akora.
10. Ntumuhe ivyo agomba kugerako bimurenze cane kuburyo yoca areka kubigerageza atinya ko bihava bimunanira.
11. Uje ushimira umwana wawe muvyo akora neza mu mwanya wo guhora umwereka ivyo akora nabi.
12. Fata umwana wawe nkuko nawe wifuza ko bagufata.

Kalendari y'amashuri ya Knox County 2018-2019

(Ubutegetsi bwayemeje kuri 4/5/2017)

Itariki1 (ku wa gatatu)	Umunsi wa mbere ku barium- inama
Itariki 2(ku wa kane)	Umunsi w'inama kuri bose (pre-K-12)
Itariki 3 (ku wa gatanu)	Umunsi w'ubuyobozi (Abarimu barakora)
Itariki 6 (ku wa mbere)	Umunsi w'ubuyobozi (Abarimu barakora)
Itariki7 (ku wa kabiri)	Umunsi w'inama (1/2 c'umunsi); umunsi w'ubuyobozi(1/2 c'umunsi ku barimu)
Itariki 8 (ku wa gatatu))	Umunsi wa mbere ku banyeshuri (1/2 c'umunsi ku banyeshuri)
Ukwezi kwa cenda , itariki 3 (ku wa mbere)	**UMUNSI W'ABAKOZI** – umunsi mukuru- amashuri na office birafunga
Ukwezi kwa cumi , itariki 5 (ku wa gatanu) wa mbere- ku wa gatanu)	Igihe c'amanota nyuma y'indwi 9 za mbere (iminsi 42) Itariki 8-12 zu kwa cumu (ku **IBIRUHUKO VYA FALL**
Ukwezi kwa cumu na kumwe 8 (ku wa kabiri)	Umunsi w'inama (PreK-12) (Umunsi mukuru)
Itariki 21-23 (ku wa gatatu- ku wa gatanu)	Ibiruhuko vy'Umuganura **(Thanksgiving**)
Ukwezi kwa cumi na kabiri, itariki 21 (kuwa gatatu)	Igihe c'amanota nyuma y'indwi 9 (iminsi 46). Impera y'igice ca mbere c'umwaka (iminsi 88) 1/2 c'umunsi ku banyeshuri
Itariki 21 zu kwa cumu na kabiri – Ukwa mbere 5 (iminsi 12)	**IBIRUHUKO VYA WINTER**
Ukwezi kwa mbere, itariki 7 (ku wa mbere)	Umunsi w'inama (1/2 c'umunsi); umunsi w'ubuyobozi (1/2 c'umunsi) (Umunsi mukuru ku banyeshuri)
Itariki 8 (ku wa kabiri)	Umunsi wa mbere w'ishuri ku banyeshuri nyuma y'ibiruko vya Winter.
Itariki 21 (ku wa mbere)	Umunsi mukuru wa Martin Luther King, Jr.- amashuri na office birugara
Ukwezi kwa **kabiri**, itariki 18 (ku wa mbere)	Umunsi w'inama (Umunsi mukuru ku banyeshuri)
Ukwezi kwa gatatu, itariki 15 (ku wa gatanu)	Igihe c'amanota nyuma y'indwi 9 za mbere, (igice ca 3 c'amanota c'indwi 9, iminsi 42)
Itariki 18-22 (ku wa mbere-ku wa gatanu)	**IBIRUHUKO VYA SPRING**
Ukwezi kwa kane, itariki 19 (ku wa gatanu)	Umunsi mukuru
Ukwezi kwa kane, itariki 22 (Monday)	Umunsi w'inama(PreK-12) umunsi mukuru ku banyeshuri
Ukwezi kwa gatanu**,** itariki 23 (ku wa kane)	Umunsi wa nyuma ku banyeshuri (1/2 c'umunsi ku banyeshuri) Igihe c'amanota nyuma y'indwi 9, igice ca kane-indwi 9(iminsi 42) Impera y'igice ca kabiri c'umwaka (iminsi 89)
Ukwezi kwa gatanu, itariki 24 (ku wa gatanu)	Umunsi w'ubuyobozi (Abarimu barakora) Umunsi wa nyuma w'Abarimu

Kalendari mu ncamake

177 n'iminsi y'ishuri (hatarimwo iminsi twakoze amasaha arenze)
4 n'iminsi y' inama z'ubuyobozi
2 n'minsi y'inama zitaba zarateganijwe
1 n'inama y'abavyeyi n'abarimu (n'inama isanzwe iteganijwe)
6 n'iminsi y'inama z'abarimu zateganijwe
10 n'iminsi y'ibiruhuko, Iminsi 200 Total
200 n'iminsi yose y'umwaka

Dukwirikije iyi kalendari, Knox County schools ishobora gusiba iminsi igeze kwi 10 y'amashuri itishugwa biturutse ku bihe n'ikirere gihindagurika.